# Akamo kagira 3

## Uburenganzira bw'impunzi z'Abanyakongo bwo gusubira mu gihugu cabo bubwirizwa kubahirizwa na Leta y'uBurundi hamwe na HCR

---

Mu ntumbero y'umugambi **UMUSEKE**, amashirahamwe aharanira agateka ka zina muntu,ishirahamwe riharanira agateka ka zina muntu Iteka na King Umurundi Freedom abandanya atohoza uko impunzi z'abanyakongo zahunze ingwano ya hungabanije ubuseruko bwa Repuburika iharanira demokarasi ya Kongo zimerewe.
Mu rukwirikirane rw'akamo gaheruka[1],ayo mashirahamwe 2 ahamagarira abanyagihugu n'amakungu,cane cane abo muri Leta y'uBurundi, amashirahamwe y'ibihugu vyunze ubumwe,ubumwe bwa Afirika hamwe n'akarere k'ibiyaga binini, ku magorwa y'abana n'abagore b'impunzi z'abanyakongo,cane cane ,kabandanya gatituka mw'ikambi ya Busuma,hamwe no mu bindi birindiro biri mu Burundi.
Izo ntambara ziteye agahinda zihagaze kuri ibi bintu bikurikira :

1°Mu mezi adakwiye 3 inyuma y'iyakirwa ryazo ku kirindiro ca Busuma yo muri komine Ruyigi intara ya Buhumuza mu buseruko bw'uBurundi,impunzi zirenga 700 z'abanyekongo ziramaze kwitaba Imana,benshi muri bo ni abana kubera ubuzima bubi babayemwo mu makambi :amapfa,isuku rike,ubuvuzi busa n'ubwahagaze,hamwe n'ingaruka zose ziturutse kuri ubwo buzima.

2° Amahera y'umurengera asabwa impunzi zishaka gutaha iwabo nk'igiturire,hamwe n'amahera yo kwiyunguruza asabwa n'abagendesha imodoka zibatwara ashika hafi amahera 500.000fbu ku muntu umwe, menshi agabwa abaporisi kw'ibarabara rya Ruyigi-Gitega-Bujumbura kugira ntibababasuzumire ibibaranga;

3°Amashirahamwe yacu yararonse amakuru ko mu mpunzi zo mu kirindiro caBusuma harimwo abarwanyi ba Kongo harimwo aba WAZALENDO, FDRL na FARDC aribo mbere boba bari mubatanguje imigumuko kenshi yibonekeza mw'ikambi. Umugumuko wa nyuma wabaye ku wa kane,igenekerezo rya 19 Ruhuhuma 2026 igihe c'urugendo rw'abaserukira icicaro ca HCR i Geneve kandi impunzi zimwe zagirizwa gutanguza imigumuko zirapfunzwe muri komisariya ya Ruyigi. Abaporisi bararashe

PROGRAMME UMUSEKE

[1] https://ligue-iteka.bi/wp-content/uploads/2025/12/Akamo-1-Ligue-Iteka_King-Umundi-Freedom.pdf

kugira imigumuko ihagarare. Mwomenyako urugendo rw'uwuserukira Ubumwe bwa Buraya UE rwari kuba uyo munsi rwasibijwe na Reta y'Uburundi.
4° Amashirahamwe yacu arashima inyishu nziza zatanzwe ku makenga yashikirijwe mu kamo kadahengeshanya hamwe n'ivyegeranyo ku vyerekeye iyugarwa ry'urubibe mu Gatumba n'igiturire gisabwa n'abagejejwe umutekano w'Uburundi hamwe n'urwaruka rw'Imbonerakure ku mpunzi z'abanyekongo zica mu nzira z'ikinywabi kugira zisubire mu Gihugu c'amavukiro.

Ivyo basaba ni nk'ibi :

- Kwugurura urubibe rwa Gatumba
- Guhagarika no gupfunga Imbonerakure ziri mu ngendo yo gusaba amahera impunzi z'abanyekongo zisubiye mu gihugu cabo zicishe mu nzira zitemewe n'amategeko hamwe n'ubusuma hagati y'ivyo bihugu 2,
- Kugira ibiganiro hagati y'izo Reta 2 hamwe n'abafasha impunzi kugira vyorohe gusubira iwabo ku mpunzi z'abanyekongo zivyipfuza.
- Kwiyemeza kw'amareta atandukanye,harimwo Ubumwe bwa Buraya hamwe na Reta zunze ubumwe bwa Amarika n'abafasha mu vy'ubuhinga ndetse n'uburyo gufasha impunzi ziri mu Burundi,

5° Amashirahamwe yacu aratera intege Ubuserukizi bwa HCR mu mvugo zabwo kuvyerekeye umwitwarariko w'abafasha batandukanye bakurikirana ukuntu impunzi z'abanyekongo zibayeho mu Burundi hamwe n'utwigoro ababafasha bakoresheje kugira baronse ivyankenerwa nyamukuru vy'impunzi mu kirindiro ca Busuma.

Kubw'ivyo,amashirahamwe yacu aributsa ko ingingo zikingira impunzi ziri mu masezerano y'i Geneve yo kuwa 28 Mukakaro 1951 hamwe n'ingingo mperekeza yo kuwa 31 Nzero 1967 zijanye n'amategeko agenga impunzi hamwe n'ayandi mategeko mpuzamakungu bijanye. Avuga mu ngingo yayo (1, C.1.) ko ugukingira umuntu bihagarara « mu gihe umuntu wenyene yisabiye gushasha gukingirwa n'igihugu abifisemwo ubwenegihugu. »

Amasezerano y'i Geneve yo muri 1951 yashizweko umukono n'Uburundi aremerera impunzi gusubiramu gihugu cabo c'amavukiro ku bushake bwabo mu ngingo yayo ya mbere hamwe n'uburenganzira bwo kwishira no kwizana(ingingo ya26).

PROGRAMME UMUSEKE

**Babonye ivyo vyose vyavuzwe,umuhari Iteka hamwe na King Umurundi Freedom basaba:**

**Kuri Reta y'Uburundi ifadikanije n'aba bayifasha,HCR hamwe n'abandi bafasha muri ico gisata harimwo ONPRA,TPIO,CARITAS,CROIX ROUGE,n'abandi :**

- Kunyarutsa ibiganiro ibiganiro kuvyerekeye ukuntu botahukana izo mpunzi z'abanyekongo bashaka gusubira i wabo;
- Kugerageza kurabo uburyo bokworohereza impunzi zose z'abanyekongo bashaka gusubira mu gihugu cabo mu kubahiriza amasezerano ya Geneve hamwe n'ayandi mategeko mpuzamakungu bijanye hamwe n'ibwirizwa shingiro ry'Uburundi;
- Kubandanya gufasha impunzi ziri ku butaka bwabwo muri rusangi hamwe n'abarundi bahungutse bava mu gihugu ca Tanzaniya n'ibindi bihugu nk'Urwanda, Zambiya n'ahandi .

**Ku bafasha mu vy'ubuhinga n'uburyo Reta y'Uburundi harimwo NU, UE n'abaserukira ibihugu vybo mu Burundi**

- Kubandanya gushigikira Reta y'Uburundi hamwe n'abayifasha kugira ngo bashobore gushitsa ivyo biyemeje vyo gukingira hamwe n'ugufasha izo mpunzi;
- Kwubahiriza agateka k'impunzi cane cane inyishu yihuta kandi ikingiye kubasaba kworoherezwa gutahuka ku bushake bwabo mu gihugu c'amavukiro.

***<u>KU BWO UMUGAMBI UMUSEKE</u>***

**Anschaire NIKOYAGIZE**

*Arongoye umuhari Iteka*
*+256 70 11 78 261*

**Vianney NIZIGIYIMANA**

*Arongoye King Umurundi Freedom*
*+ 33 7 58 27 92 94*

**20.02.2026**

PROGRAMME UMUSEKE